REPUBLIQUE DU BURUNDI

CABINET DU PRESIDENT

REPUBURIKA Y'UBURUNDI

IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

**DECRET N°100/071 DU 08 MAI 2020 PORTANT CREATION ET FONCTIONNEMENT D'UN COMITE DE PILOTAGE DE NORMALISATION TOPONYMIQUE**

**LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE DU BURUNDI,**

Vu la Constitution de la République du Burundi;

Vu la Loi n°1/010 du 30 juin 2000 portant Code de l'Environnement du Burundi;

Vu la Loi n°1/17 du 25 septembre 2007 portant Organisation du Système Statistique du Burundi;

Vu la Loi n° 1/13 du 09 août 2011 portant Révision du Code Foncier du Burundi;

Vu la Loi n° 1/02 du 26 mars 2012 portant Code de l'Eau au Burundi;

Vu la Loi n° 1/21 du 15 octobre 2013 portant Code Minier du Burundi, tel que modifié à ce jour;

Vu la Loi n° 1/07 du 15 juillet 2016 portant Code Forestier de la République du Burundi;

Vu la Loi Organique n° 1/04 du 19 février 2020 portant Modification de certaines Dispositions de la Loi n° 1/33 du 28 novembre 2014 portant Organisation de l'Administration Communale :

**ITEGEKO INOMERO 100/ 071 RYO KU WA 08 RUSAMA 2020 RISHINGA KOMITE IRONGOYE IBIKORWA VY'UGUSHIRAHO IVYISUNGWA MU KWITA AHANTU AMAZINA N'INGENE IKORA**

**UMUKURU W'IGIHUGU, C'UBURUNDI,**

Yihweje Ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/010 ryo ku wa 30 Ruheshi 2000 rishinga Igitabu c'Amategeko agenga Ibidukikije mu Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/17 ryo ku wa 25 Nyakanga 2007 ritunganya Itororokanywa ry'Ibiharuro Bifatirwako mu Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/13 ryo ku wa 9 Myandagaro 2011 risubiramwo Igitabu c'Amategeko agenga Amatongo mu Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/02 ryo ku wa 26 Ntwarante 2012 rishinga Igitabu c'Amategeko agenga Amazi mu Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/21 ryo ku wa 15 Gitugutu 2013 rishinga Igitabu c'Amategeko agenga Ubutare mu Burundi, nk'uko ryagiye rirahindurwa gushika ubu ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/07 ryo ku wa 15 Mukakaro 2016 rishinga Igitabu c'Amategeko agenga Amashamba mu Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/04 ryo kuwa 19 Ruhuhuma 2020 risubiramwo ingingo zimwe zimwe z'ibwirizwa inomero 1/33 ryo ku wa 28 Munyonyo 2014 riringaniza ubutegetsi mw'ikomine ;

## CHAPITRE I : DE LA DENOMINATION ET DES DEFINITIONS

**Article 1 : De la dénomination**

Il est créé **un Comité de Pilotage de Normalisation Toponymique** dénommé « CP/NT» en Sigle.

**Article 2 : Des définitions**

1. **Normalisation :**

a) établissement, par une autorité toponymique reconnue, d'un ensemble de règles et de critères normatifs applicables au traitement uniformisé des toponymes;

b) traitement d'un toponyme suivant un ensemble d'éléments normatifs donnés.

2. **Toponymie :**

a) science qui a pour objet l'étude des noms des lieux en général et des noms géographiques en particulier;

b) ensemble des noms des lieux d'un territoire donné constituant le patrimoine toponymique;

c) activité ou procédure qui préside à l'attribution de noms des lieux.

3. **Un nom géographique ou Toponyme** : nom propre pour désigner et décrire un accident géographique particulier de la surface terrestre.

4. **Exonyme :** nom géographique utilisé dans une langue pour désigner un lieu situé en dehors du territoire dont cette langue est la langue officielle.

5. **Endonyme :** appellation toponymique exprimée dans la forme orthographique et dans la langue locale de la région où l'entité dénommée est située, indépendamment du système d'écriture.

## IGICE CA I : IVYEREKEYE IZINA N'INSIGURO Y'AMAJAMBO

**Ingingo ya 1 : Izina**

Harashinzwe **Komite irongoye ibikorwa vy'ugushiraho ivyisungwa mu kwita ahantu amazina yiswe** « CP/NT » mu mpfunyapfunyo y'igifaransa.

**Ingingo ya 2 : Insiguro y'amajambo**

1. **Ugushiraho ivyisungwa mu kwita ahantu amazina :**

a) ugushinga amategeko n'ibifatirwako bikurikizwa mu kwiga mu buryo bumwe amazina y'ahantu bigirwa n'ishirahamwe rijejwe kwita ahantu amazina rizwi n'amategeko;

b) ukwiga izina ry'ahantu hafatiwe ku bintu vyose vyatanzwe vyerekeye amategeko.

2. **Ukwita ahantu amazina**

a) ubuhinga bufise intumbero yo kwiga amazina y'ibibanza muri rusangi hamwe n'amazina y'ahantu canecane;

b) amazina yose y'ibibanza yo mu karere kanaka agize amatungo agizwe n'amazina y'ahantu ;

c) ibikorwa canke ibikurikizwa mu kwita ahantu amazina.

3. **Amazina afatiye ku mvugo y'ahandi hantu** ni izina ry'ahantu rikoreshwa mu rurimi mu kwerekana ahantu atari ku gataka urwo rurimi ari urukoreshwa mu nzego za Reta.

4. **Izina ry'ahantu canke ry'ikibanza**, izina ry'uruharo rikoreshwa mu kwerekana canke mu kuvuga uko impanuka y'ahantu kanaka yagenze ku buringanire bw'isi.

5. **Amazina y'ahantu afatiye ku mvugo yaho** ni izina ry'ahantu ryanditswe mu rurimi kavukire ruvugwa mu karere aho hantu hari,hadafatiwe ku kuntu amajambo asanzwe yandikwa.

- Secrétaire : Secrétaire Exécutif Permanent du Bureau de Centralisation;
- Secrétaire Permanent du ministère ayant l'environnement dans ses attributions;
- Secrétaire Permanent du ministère ayant les finances dans ses attributions;
- Secrétaire Permanent du ministère ayant la culture dans ses attributions;
- Secrétaire Permanent du ministère ayant l'aménagement du territoire dans ses attributions;
- Secrétaire Permanent du ministère ayant l'hydraulique dans ses attributions;
- Secrétaire Permanent du ministère ayant la recherche scientifique dans ses attributions;

## CHAPITRE IV : DU FONCTIONNEMENT

**Article 5 :**

Le Comité de Pilotage se réunit en session ordinaire deux fois par an, et en session extraordinaire autant de fois que de besoin sur convocation de son Président.

Des représentants d'organismes et/ou des personnalités ayant des compétences particulières en toponymie et/ou noms géographiques peuvent être invités par le Comité de Pilotage en tant qu'Experts. Les membres du Comité de Pilotage bénéficient des jetons de présence conformément aux textes réglementaires en vigueur en la matière. Il en est de même pour les Experts représentants d'organismes et/ou des personnalités invités dans les sessions du Comité de Pilotage.

- Umunyamabanga : Umunyamabanga nshingwabikorwa ntayegayezwa mu Biro bijejwe gutororokanya mu buhinga bw'imashini nyabwonko ibiranga ahantu;
- Umunyamabanga ntayegayezwa mu bushikiranganji bujejwe ibidukikije ;
- Umunyamabanga ntayegayezwa mu bushikiranganji bujejwe ikigega ca Reta ;
- Umunyamabanga ntayegayezwa mu bushikiranganji bujejwe imico kama ;
- Umunyamabanga ntayegayezwa mu bushikiranganji bujejwe ugutunganya amatongo ;
- Umunyamabanga ntayegayezwa mu bushikiranganji bujejwe amazi ;
- Umunyamabanga ntayegayezwa mu bushikiranganji bujejwe ubushakashatsi bw'ubuhinga.

## IGICE CA IV : INGENE KOMITE IKORA

**Ingingo ya 5 :**

Komite irongoye ibikorwa vy'ugushiraho ivyisungwa mu kwita ahantu ikorana mu nama zisanzwe kabiri mu mwaka, no mu nama idasanzwe igihe cose bikenewe ihamagajwe n'Umukuru wa Komite.

Abaserukira amashirahamwe canke abantu bafise ubumenyi mu bijanye n'ukwita ahantu amazina canke ibijanye n'amazina y'uturere barashobora gutumirwa na Komite ka buhinga. Abagize Komite irongoye ibikorwa vy'ugushiraho ivyisungwa mu kwita ahantu amazina bararonswa agashirukabute k'abitavye inama hisunzwe amategeko asanzwe akurikizwa. Niko kuko no ku bahinga baserukira amashirahamwe canke abantu batumiwe mu nama za Komite irongoye ibikorwa vy'ugushiraho ivyisungwa mu kwita ahantu amazina.

**Articles 7 :**

Le Comité Technique d'Experts est composé de :

- Président: Secrétaire Exécutif Permanent du Bureau de Centralisation Géomatique (SEP/BCG);
- Vice Président: Directeur Général Institut Géographique du Burundi;
- Secrétaire : Directeur de la Cartographie et de la Topographie;
- Expert de l'Académie Rundi;
- Expert du ministère ayant l'administration du territoire dans ses attributions;
- Expert du ministère ayant l'Environnement dans ses attributions;
- Expert du ministère ayant l'agriculture dans ses attributions;
- Expert du ministère ayant les finances dans ses attributions;
- Expert du ministère ayant la culture dans ses attributions;
- Expert du ministère ayant l'aménagement du territoire dans ses attributions;
- Expert du ministère ayant les travaux publics dans ses attributions;
- Expert du ministère ayant l'hydraulique dans ses attributions;

**Ingingo ya 7 :**

Komite y'abahinga ijejwe gushiraho ivyisungwa mu kwita amazina ahantu igizwe n'aba bakurikira :

- Umukuru wa Komite: Umunyamabanga nshingwabikorwa ntayegayezwa w'Ibiro bijejwe gutororokanya mu buhinga bw'imashini nyabwonko ibiranga ahantu (SEP/BCG);
- Icegera c'Umukuru wa Komite : Umuyobozi mukuru w'Ikigo c'igihugu kijejwe ibiranga ibigize agataka k'igihugu n'ugukurikirana ihindagurika ry'ibihe mu Burundi ;
- Umunyamabanga wa Komite : Umuyobozi ajejwe ivyerekeye ugucapa amakarata n'ugupima ahantu;
- Umuhinga w'Igisata nyemezabumenyi mu vyerekeye ururimi rw'ikirundi;
- Umuhinga wo mu bushikiranganji bujejwe intwaro yo hagati mu gihugu ;
- Umuhinga wo mu bushikiranganji bujejwe ibidukikije;
- Umuhinga wo mu bushikiranganji bujejwe uburimyi;
- Umuhinga wo mu bushikiranganji bujejwe Ikigega ca Reta ;
- Umuhinga wo mu bushikiranganji bujejwe imico kama
- Umuhinga wo mu bushikiranganji bujejwe itunganywa ry'amatongo
- Umuhinga wo mu bushikiranganji bujejwe ibikorwa vya Reta ;
- Umuhinga wo mu bushikiranganji bujejwe ivyerekeye amazi ;

**Article 9 :**

Le présent décret entre en vigueur le jour de sa signature.

**Ingingo ya 9:**

Iri tegeko ritangura gukurikizwa kuva umusi rishiriweko umukono.

**Fait à Bujumbura, le 8 mai 2020**

**Bigiriwe i Bujumbura, ku wa Rusama 2020**

**PAR LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

**Pierre NKURUNZIZA.-**

**KU BW'UMUKURU W'IGIHUGU,**

**NKURUNZIZA Pierre.-**

**LE PREMIER VICE-PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

**Gaston SINDIMWO.**

**ICEGERA CA MBERE C'UMUKURU W'IGIHUGU**

**SINDIMWO Gaston.**

**LE DEUXIEME VICE-PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

**Dr Joseph BUTORE.**

**ICEGERA CA KABIRI C'UMUKURU W'IGIHUGU,**

**Dr BUTORE Joseph.**

**LE MINISTRE DE L'INTERIEUR, DE LA FORMATION PATRIOTIQUE ET DU DEVELOPEMENT LOCAL,**

**Pascal BARANDAGIYE.**

**UMUSHIKIRANGANJI W'INTWARO YO HAGATI , INYIGISHO ZO GUKUNDA IGIHUGU N'ITERAMBERE RY'ABENEGIHUGU,**

**BARANDAGIYE Pascal.**